Bujumbura, le 10/03/ 2025

REPUBLIQUE DU BURUNDI

CABINET DU PREMIER MINISTRE

N/Réf : 121/CAB/0685 /2025

**TRANSMIS COPIE POUR INFORMATION A :**

- Son Excellence Monsieur le Président de la République, avec les assurances de ma Plus Haute Considération.
- Son Excellence Monsieur le Vice-Président de la République, avec les assurances de ma Très Haute Considération.

**A Monsieur le Ministre de l'Intérieur, du Développement Communautaire et de la Sécurité Publique**

**à**

**BUJUMBURA**

**OBJET: Transmission d'une ordonnance pour action et large diffusion.**

**Monsieur le Ministre,**

Dans le cadre de répondre au strict respect des mesures d'hygiène et assainissement, une ordonnance ministérielle conjointe **n°1041 du 18 février 2026 portant modification de l'ordonnance ministérielle conjointe N°540/530/630/210 du 05/08/2025 portante fixation des amandes infligées aux contrevenants à la réglementation relative à l'hygiène et à la salubrité publique** vient d'être signée par le Ministre ayant l'Intérieur, la Santé et les Finances dans leurs attributions. Cette ordonnance vient dans le but de renforcer les mesures d'hygiène et assainissement en précisant des sanctions aux contrevenants à la réglementation.

Pour pouvoir arriver aux objectifs en matière d''hygiène et assainissement en tout et partout dans le pays, et sur Instruction de Son Excellence Monsieur le Premier Ministre, j'ai l'honneur de vous demander de bien vouloir prendre toutes les mesures possibles pour la mise en application de cette ordonnance. En outre, il vous est aussi demandé de faire une large diffusion de cette dernière aux Gouverneurs de Provinces et aux Administrateurs communaux pour faire respecter les orientations tracées dans cette ordonnance. Les ministres qui nous lisent en copie sont priés eux aussi chacun en ce qui le concerne, de mettre en application la présente ordonnance dans leurs différents services.

Veuillez agréer, **Monsieur le Ministre**, les assurances de ma Considération distinguée.

**LE DIRECTEUR DE CABINET DU PREMIER MINISTRE**

**Jean Claude BARUTWANAYO**

Copie pour information à :

- Madame/Monsieur le Ministre (Tous) ;
- Chef de Bureau à la primature (Tous).

| | |
|---|---|
| **REPUBLIQUE DU BURUNDI** | **REPUBURIKA Y'UBURUNDI** |
| **CABINETS DES MINISTRES** | **IBIRO VY'ABASHIKIRANGANJI** |
| **ORDONNANCE 1041 MINISTERIELLE CONJOINTE N/... DU 18/02/2026 PORTANT MODIFICATION DE L'ORDONNANCE MINISTERIELLE CONJOINTE N°540/530/630/210 DU 05/08/2025 PORTANT FIXATION DES AMENDES INFLIGEES AUX CONTREVENANTS A LA REGLEMENTATION RELATIVE A L'HYGIENE ET A LA SALUBRITE PUBLIQUE** | **ITEGEKO 1041 NSHIKIRANGANJI RUSANGI INOMERO.../ RYO KU WA 18/02/2026 RISUBIRAMWO ITEGEKO NSHIKIRANGANJI RUSANGI INOMERO 540/530/630/210 RYO KU WA 05/08/2025 RISHINGA AMAHADABU ATANGISHWA ABARENGA AMATEGEKO AGENGA ISUKU N'ISUKURA** |
| **LE MINISTRE DES FINANCES, DU BUDGET ET DE L'ECONOMIE NUMERIQUE,** | **UMUSHIKIRANGANJI W'IKIGEGA CA RETA N'UBUTUNZI BUFATIYE K'UBUHINGA NGURUKANABUMENYI,** |
| **LE MINISTRE DE L'INTERIEUR, DU DEVELOPPEMENT COMMUNAUTAIRE ET DE LA SECURITE PUBLIQUE,** | **UMUSHIKIRANGANJI W'INTWARO YO HAGATI MU GIHUGU, ITERAMBERE RUSANGI N'UMUTEKANO MU GIHUGU,** |
| **LE MINISTRE DE LA SANTE PUBLIQUE,** | **UMUSHIKIRANGANJI W'AMAGARA Y'ABANTU,** |
| Vu la Constitution de la République du Burundi ; | Bihweje Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi; |
| Vu la Loi organique n° 1/20 du 20 juin 2022 portant révision de la Loi n°1/35 du 4 décembre 2008 relative aux Finances Publiques ; | Bihweje Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/20 ryo ku wa 20 Ruheshi 2022 risubiramwo Ibwirizwa inomero 1/35 ryo ku wa 04 Kigarama 2008 ryerekeye itunganywa ry'Ikigega ca Reta ; |
| Vu la Loi n° 1/02 du 26 mars 2012 portant Code de l'Eau au Burundi ; | Bihweje Ibwirizwa inomero 1/02 ryo ku wa 26 Ntwarante 2012 ryerekeye Igitabu c'amategeko agenga amazi mu Burundi ; |

Vu la Loi n° 1/11 du 30 mai 2018 portant Code d'hygiène et assainissement au Burundi ;

Bihweje Ibwirizwa inomero 1/11 ryo ku wa 30 Rusama 2018 rishinga Igitabu c'amategeko agenga isuku n'isukura mu Burundi;

Vu la Loi n°1/09 du 25 mai 2021 portant Code de l'environnement de la République du Burundi ;

Bihweje Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 25 Rusama 2021 ryerekeye Igitabu c'amategeko agenga ibidukikije mu Burundi ;

Vu la loi n°1/09 du 31 décembre 2025 portant modification de la loi n°1/12 du 24 juin 2025 portant fixation du budget général de la République du Burundi pour l'exercice 2025-2026

Bihweje Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 31 kigarama 2025 rihindura ibwirizwa inomero 1/12 ryo ku wa 24 Ruheshi 2025 rishinga amafaranga Reta ikoresha ku mwaka wa 2025 ushira uwa 2026;

Vu le Décret n°100/007 du 28 juin 2020 portant Révision du Décret n°100/037 du 19 Avril 2018 portant Structure, Fonctionnement et Missions du Gouvernement de la République du Burundi ;

Bihweje Itegeko inomero 100/007 ryo ku wa 28 Ruheshi 2020 risubiramwo Itegeko inomero 100/037 ryo ku wa 19 Ndamukiza 2018 riringaniza Reta y'Uburundi, ingene ikora n'imirimo yayo ;

Revue l'ordonnance ministérielle conjointe n°540/530/630/210 du 05/08/2025 portant fixation des amendes infligées aux contrevenants à la règlementation relative a l'hygiène et à la salubrité publique

Basubiye kwihweza itegeko nshikiranganji rusangi inomero 540/530/630/210 ryo ku wa 05/08/2025 rishinga amahadabu atangishwa abarenga amategeko agenga isuku n'isukura

**ORDONNENT :**

**BASHINZE:**

**Article 1**

La présente ordonnance a pour objet la fixation des amendes infligées aux contrevenants à la réglementation relative à l'hygiène et à la salubrité publique.

**Ingingo ya 1**

Iri tegeko nshikiranganji rifise intumbero yo gushinga amahadabu atangishwa abarenga amategeko agenga isuku n'isukura.

**Article 2**

Est passible d'une amende de cinq mille francs Burundi (5 000 BIF), quiconque passe outre les prescrits de l'article 218 de la Loi n°1/11 du 30 mai 2018 portant Code d'hygiène et assainissement au Burundi aux règles du

**Ingingo ya 2**

Ahanishwa ihadabu ry'amafaranga y'amarundi ibihumbi bitanu (5000 BIF), uwo wese arenze ku bitegekanijwe mu ngingo ya 218 y'Ibwirizwa inomero 1/11 ryo ku wa 30 Rusama 2018 ryerekeye amategeko agenga isuku n'isukura

Code d'Hygiène et d'Assainissement.

La même amende est applicable aux personnes qui laissent se jeter des eaux usées ou de cuisine dans des caniveaux des voies ou des lieux publics.

mu Burundi.

Iryo hadabu nyene riratangishwa abantu barekuriye amazi bakoresheje canke yo mu gikoni mu miserege no mu bibanza bigenewe bose.

**Article 3**

Est passible d'amende de cinquante mille francs Burundi (50 000 BIF), quiconque enfouit les excréments, dépose les détritus, les ferrailles, les épaves et les décombres, déverse les eaux de toilette, les graisses et les huiles de vidange, rejette les cadavres d'animaux et les déchets de toute nature dans les caniveaux ou sur la voie publique, dans les terrains privés ou non situés dans les milieux urbains, sur les rives des cours d'eau, dans les mares, les rivières, les lacs et les étangs.

**Ingingo ya 3**

Ahanishwa ihadabu ry'amafaranga y'amarundi ibihumbi mirongo itanu (50 000), uwo wese yimbiye amazirantoke, ashize imicafu, ibisigarira vy'ivyuma, ibijanja hamwe n'ivyabomowe, arekuriye amazi yo mu kazu ka sugumwe, ibigirisi n'amavuta ava mu moteri, ataye ibikoko vyapfuye n'imyanda y'ubwoko bwose mu migende canke mw'ibarabara rigenewe bose, mu matongo y'abantu canke ayatari ay'abantu yo mu bisagara, ku nkengera z'inzuzi, mu bidengeri, mu nzuzi, mu biyaga no mu bitanga.

**Article 4**

Est passible d'amende de cent mille francs Burundi (100 OOOBIF), tout exploitant des places où se rencontrent plusieurs personnes notamment les débits de boissons, restaurant, boîte de nuit, les centres de culte, marchés, formations sanitaires qui ne dispose pas des lieux d'aisance décents.

**Ingingo ya 4**

Ahanishwa ihadabu ry'amafaranga ibihumbi ijana vy'amarundi (100 000 BIF), uwo wese akoresha ibibanza bihuriramwo abantu benshi nk'ubunywero, uburiro, ubutambiro, ibibanza vyo gusengeramwo, amasoko, amavuriro adafise utuzu twa surwumwe tubereye.

**Article 5**

Tout détenteur ou occupant d'une propriété foncière donnant accès sur la voie publique en milieu rural. a l'obligation d'assurer la propreté et l'entretien de la partie de la voie publique longeant sa propriété sous peine d'une amende de cinq mille francs (5000 BIF)

**Ingingo ya 5**

Uwo wese afise canke aba mw'itongo ritari iryo mu bisagara risanzwe riri kw'ibarabara rigenewe bose ategerezwa kugira isuku ryiryo barabara kuruhande rwose rwitongo ryiwe atabigize ahanishwa ihadabu ry'amafaranga y'amarundi y''ibihumbi bitanu (5000 BIF)

**Article 6**

**Tout propriétaire ou occupant d'un immeuble bâti ou non bâti donnant directement sur une voie publique en milieu urbain ou semi urbain est tenu d'aménager et de paver , à ses frais , l'espace compris entre la limite de sa propriété et la voie publique.**

**Est passible d'amende allant de trois cent mille (300 000F) à cinq cent mille francs Bu (500 000F), tout contrevenant aux dispositions de l'alinéa précédent.**

**Ingingo ya 6**

Umuntu wese afise canke aba munzu canke mw'itongo ritubatse biri muri gisagara canke mu bigwati maze bikaba bihana urubibe n'ibarabara rigenewe bose, asabwa gukorera neza muburyo bwa kijambere ikibanza kiri hagati y'ibarabara n'izo nyubakwa canke itongo.

Acibwa ihadabu riri hagati y'ibihumbi amajana atatu ( 300 000F) n'ibihumbi amajana atanu (500000F), uyo wese aciye kubiri n'agace ka mbere k'ingingo ivuzwe aho hejuru.

**Article 7**

Les établissements industriels, artisanaux ou commerciaux et leurs alentours doivent être salubres.

Sous peine d'amende de cinq cent mille francs Burundi (500 000 BIF), il est interdit de déverser les déchets et les eaux usées résiduaires directement dans la nature et, surtout, les rivières, les lacs, les mares et les étangs.

Est passible d'amende de cent mille francs Burundi (100 000 BIF), toute personne qui fume dans les espaces publics ou expose les autres à la fumée du tabac.

**Ingingo 7**

Mu mahinguriro, mu bigo bikorerwamwo imyuga canke inyubakwa z'ubudandaji no mu micungararo yavyo, hategerezwa kugirirwa isuku.

Birabujijwe gushoka bisuka imicafu n'amazi yakoreshejwe arimwo ibisigarira vy'imyanda mu gahinga na cane cane mu nzuzi, mu biyaga, mu bidengeri no mu bitanga, atari uko, bitangishwa ihadabu ry'amafaranga y'amarundi ibihumbi amajana atanu (500 000 BIF).

Ahanishwa ihadabu ry'amafaranga y' amarundi ibihumbi ijana (100 000 BIF) uwo wese anywereye itabi mu bibanza bihuriramwo abantu benshi canke atumuriye ku bandi umwotsi w'itabi.

**Article 8**

Les agents de l'hygiène et l'administration sont chargés d'établir des contraventions à charge du contrevenant qui dispose d'un délai de cinq (5) jours calendaires pour payer l'amende,

**Ingingo ya 8**

Abajejwe isuku n'abajejwe intwaro bashinzwe gutaburira ibitansi uwarenze ku mategeko na we akaba afise ikiringo c'iminsi itanu

faute de quoi une majoration de deux pour cent (2%) par jour de l'amende due lui est appliquée.

ikurikirana kugira arihe ihadabu, atararishe, kw'ihadabu yategerezwa kuriha haja hariyongerako ibice bibiri kw' ijana (2%) ku musi.

Les agents visés par le présent article saisissent tout document d'identification du contrevenant remis à ce dernier sur présentation de la quittance de paiement de l'amende due.

Ababijejwe bavugwa muri iyi ngingo barafata urwandiko rwose ruranga uwarenze iri tegeko akarusubizwa ari uko yerekanye igitansi cemeza ko yarishe ihadabu yategerezwa gutanga.

Les amendes prévues par la présente ordonnance sont versées sur le compte de transit de l'Office Burundais des Recettes, ouvert dans les différentes institutions financières.

Amahadabu ategekanijwe n'iri tegeko nshikiranganji ashirwa kw'ikonte icishwako amafaranga yinjira mu Kigo c'igihugu kijejwe gutororokanya amakori n'amatagisi yuguruwe mu mabanki atandukanye.

**Article 9**

Tout propriétaire ou occupant d'un immeuble ou propriété donnant accès à une voie publique est tenu de planter des arbres longeant la voie Publique d'en assurer la protection et l'entretien nécessaires à sa croissance.

En cas de manquement à cette obligation, le contrevenant s'expose à une amende allant de cinquante milles (50000F) à cent milles (100 000F) ainsi qu'à une mise en demeure de se conformer aux prescriptions réglementaires dans un délai de 30 jours calendriers.

À défaut d'exécution dans le délai imparti, l'autorité compétente procède d'office à la plantation ou à la remise en état, aux frais du contrevenant.

**Ingingo ya 9**

Umuntu wese afise canke aba mu nzu canke itongo riri kwibarabara asabwe gutera ibiti bihagamiye iryo barabara kandi abwirizwa gukora ibikenewe vyose bituma ico giti gikura neza.

Mugihe habaye guca kubiri n'iyo ngingo, uwuyirenzeko ahanishwa ihadabu ari hagati y'ibihumbi mirongo itanu vy'amafaranga y'amarundi ( 50 000F) gushika ku bihumbi ijana ( 100 000F) hongeweko guhabwa gasopo yo kubahiriza iyo ngingo bitarenze imisi 30 iharuwe urutavanako.

Uyo mwanya urenze atagikozwe, ujejwe kwubahiriza amategeko aca akora ibikenewe kugira ico giti giterwe canke agasubiza ibintu mu buryo kumafaranga ya nyene gukora amakosa.

**Article 10**

Toute entreprise à caractère commercial,

**Ingingo ya 10**

Ishirahamwe ry'ubudandanji iryari ryo ryose

ouverte au public, est tenue de mettre à la disposition de sa clientèle au moins une poubelle accessible depuis l'espace public ou à l'intérieur de l'établissement, destinée à la collecte des déchets issus de l'activité ou du passage des usagers.

risabwe kuba rifise igikoresho bashiramwo imicafu canke iyarara kikaba kiri ahantu hashikirwa na bose haba imbere canke inyuma y'ahabere ibikorwa vy'urudandaza mu ntumbero yo kwegeranya imicafu canke iyarara riturutse kubikorwa vy'urwo rudandaza canke imicafu izanwa n'abaguzi.

Le dispositif de collecte doit être maintenu en bon état de propreté, régulièrement vidé et conforme aux normes d'hygiène et de salubrité en vigueur.

Ico gikoresho co kwegeranya imicafu n'iyarara kibwirizwa kugirirwa isuku rya buri igihe, kikama gisukanurwa uko cuzuye hisunzwe amategeko ajanye n'isuku.

Le non-respect des dispositions du présent article expose l'entreprise concernée à une amende allant de 100 000F à 300 000F, sans préjudice de toute autre mesure allant à la fermeture de l'établissement.

Ukutubahirizwa kw'iyo ngingo bituma ishirahamwe ry'ubudandanji ryabikoze rihanishwa ihadabu ari hagatio ya 100 000Fna 300 000F hatirengagijwe n'ibindi bihano bijana kw'iyugarwa ry'iryo shirahamwe ry'ubudandaji.

**Article 11**

Tout immeuble à usage d'habitation ou affecté à l'exercice d'une activité commerciale ou de prestation de services est tenu d'être revêtu d'une peinture acrylique conforme aux normes techniques en vigueur, tant à l'intérieur qu'à l'extérieur.

Le défaut de conformité à cette obligation expose le propriétaire, le copropriétaire ou l'exploitant de l'immeuble, selon le cas, à l'amende allant de trois cent mille (300 000F) à cinq cent mille (500 000F), sans préjudice des mesures de mise en conformité pouvant être ordonnées par l'autorité compétentes.

**Article 11**

Inyubakwa yose icumbikye abayibamwo canke igenewe urudandaza canke ikorerwamwo ibindi bikorwa ibwirizwa kuba isize imbere n'inyuma irangi ryabigenewe kandi ritazimananga hisunzwe amategeko agenga ubuhinga bugezweho.

Ukutubahiriza iyo ngingo, kuganisha nyene inzu canke abayisangiye canke abayikoresha ku gihano c'ihadabu iri hagati y'ibihumbi amajana atatu (300 000F) na n'iibihumbi amajana atanu (500 000F) hatirengagijwe n'ayndi mategeko ajanye n'ishaka rya nyene kwubahiriza iyo ngingo.

**Article 12**

Toutes les dispositions antérieures contraires à la présente ordonnance sont abrogées

**Ingingo ya 12**

Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri tegeko zirafuswe.

**Article 13**

La présente ordonnance entre en vigueur le jour de sa signature.

**Fait à Bujumbura, le 18/02/2026**

**LE MINISTRE DES FINANCE, DU BUDGET ET DE L'ECONOMIE NUMERIQUE**

**Dr Alain NDIKUMANA**

**LE MINISTRE DE L'INTERIEUR DU DEVELOPPEMENT COMMUNAUTAIRE DE LA SECURITE PUBLIQUE**

**Hon. Léonidas NDARUZANIYE**

**LE MINISTRE DE LA SANTE PUBLIQUE**

**Dr Lydwine BARADAHANA**

**Ingingo ya 13**

Iri tegeko ritangura gukurikizwa kuva umusi rishiriweko umukono.

**Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 18/02/2026**

**UMUSHIKIRANGANJI W'IKIGEGA N' UBUTUNZI BUFATIYE K'UBUHINGA NGURUKANABUMENYI**

**Dr Alain NDIKUMANA**

**UMUSHIKIRANGANJI W'INTWARO YO HAGATI MU GIHUGU ITERAMBERE RUSANGI N'UMUTEKANO MU GIHUGU**

**Umushingamateka Léonidas NDARUZANIYE**

**UMUSHIKIRANGANJI W'AMAGARA Y'ABANTU**

**Dr Lydwine BARADAHANA**